Bibiliya y'Abana

Ishikirije

Intumwa y'Imana

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: E. Frischbutter; Sarah S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2022 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Umusi umwe, umutama w'umuherezi yitwa Zakariya yariko aturira imibavu mungoro y'Imana. Hanze, hari abantu bariko barasenga. Bukwi na bukwi Zakariya atangura kujugumira.



Umumalayika aramubonekera. “Ntugire ubwoba,” aramubwira. “Imana yantumye. Umugore wawe azovyara umwana w’umuhungu. Uze umwite Yohana. Azoba yuzuye Mpwemu Yera kuva akivuka. Azozana abantu beshi k’Umukiza.”

“Tubwire, Zakariya!” Abantu bari hanze bari batangaye. Ntibari bazi ko Umumalayika Gaburiyeli yari yabwiye Zakariya ko atazosubira kuvuga gushika uwo mwana avutse kuko atari yizeye ubutumwa bw’Imana. Yibaza ko umugore wiwe ashaje cane kuburyo atoba akivyara.

Asubiye iwe, zakariya yandika ivyo umumalayika yamubwiye vyose. Umugore wiwe Elizabeti aratangara cane. Yari yarasenze igihe kirekire asaba Umwana. Ni gute ivyo vyoba bije ubu?

Haheze imisi,
Elizabeti amenya
ko yibungenze.
Ashima Imana.
Umusi umwe,
Mariya muvyara
wa Elizabeti aza
kumuramutsa.
Mariya nawe nyene
yumva umwana
munda.

Mariya ashitse, Elizabeti yumva umwana akina munda. Elizabeti yari yuzuye Mpwemu Yera. Amenya ko Umwana Mariya yibungenze azoba Umwami Yesu Kristo. Bose bashimira Imana buzuye umunezero.

Umwana wa Elizabeti yavutse nk'uko Imana yari yarabisezeranye. "Hamagara zakariya se wiwe", abandi bahezerezi baravuga. Maze Zakariya yibuka itegeko Imana yamuhaye! "Oya! Izina ry'umwana ni Yohana". Zakariya ahejeje kwandika ayo majambo, aca asubira kuvuga. Hanyuma aca ashimira Imana.

Yohana amaze gukura, yari ameze nka Eliya, umuntu w'Imana adasanzwe. Yohana yabwira abantu ko ukugaruka k'Umwana w'Imana kuri hafi. Abakuru b'abayuda baranka yohana kuko yavuga ngo: "Ni mwihane! Mureke gukora ivyaha". Ntibashaka kwumva uwuvuga ivyaha vyabo.



Abandi bamwita Yohana-umubatizi kuko yabatiza abantu kugira ngo berekane ko bababajwe n'ivyaha vyabo. Umusi umwe Yesu aja aho Yohana yari kugira ngo amubatize. Yohana agomba kwanka: "Ni jewe nkwiye kubatizwa nawe" Ariko Yesu aramwishura: "Bikore ubu kuko ariko bikwiye kumera." Maze Yohana aca abatiza Yesu.

Yesu amaze kubatizwa, Yohana abona Mpwemu yera amanuka kuri Yesu afise ishusho y'inuma. Cari ikimenyetso c'Imana. Yohana yari azi ko Yesu yari Umwana w'Imana. Yohana yita Yesu Umwagazi w'Imana ukura ivyaha vy'abari mw'isi.



Yohana yarongoreye abantu beshi ku Mana. Ariko Herodi, umwami mubi, ata Yohana mw'ibohero. Yohana yari yabwiye Herodi ati: "Ntaburenganzira ufise bwo gufata Herodiya, umugore wa mwene wanyu ngo umugire umugore wawe. Ico ni icaha." Herodi yari abizi ko uko ari ukuri amubwiye.

Yari azi ko Yohana ari umukozi w'Imana, umuntu agororotse kandi yejejwe. Ariko ntiyagomba guhagarika gukora ivyaha. Kandi na Yohana ntiyashaka guhagarika gusigurira abantu ko bakwiye kureka ivyaha, n'aho vyari bizwi ko uwuvuze ivyo aca atabwa mw'ibohero.

Umusi Herodi yari afise isabukuru, ategura umusi mukuru. Umukobwa wa Herodiya atambira Herodi. Maze biryohera Herodi. Aca amusezeranira ati: “Nsaba ico ushaka cose ndakiguha n’iyo coba igice c’ubwami.”



Umukobwa wa Herodiya aribaza ati: “Mbega nsabe iki?” Nyina wiwe kuko yari afise ubushobozi bwo kugirira nabi Yohana kandi kuko yari asanzwe amwanka, aca aramubwira ico yosaba! Vyari biteye ubwoba!

Uwo mukobwa wa Herodiya aramwishura ati: "Impa umutwe wa Yohana kw'isahani." Herodi arababara cane kubona yatanze iryo sezerano, ariko ntiyashobora kwivuguruza. Herodi ategeka abasoda biwe ati: "Muce umutwe wa Yohana umubatizi hama muwunzanire ng'aha." Abo basoda baramwumvira.

Mu mubabaro mwishi, abagenzi ba Yohana bahamba umubiri w'intwari kandi intahemuka umukozi w'Imana. Igikorwa ca Yohana co gukorera Imana cari kirangiye ng'aho. Kumbure bari bazi ko Yesu azobaremesha muri ako gahinda.

Intumwa y'Imana

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Mariko 6; Luka 1, 3

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16